**IJAMBO RISHIKIRIJWE NA**
**NYENICUBAHIRO UMUKURU**
**WIGIHUGU MU GUHIMBAZA**
**IMYAKA 61 IRANGIYE UBURUNDI**
**BUHABUJE INTAHE Y'UKWIKUKIRA**

« ***TWESE HAMWE, TUDUZE UBUTUNZI BW'IGIHUGU, NI HO TUZOKWIDEGEMVYA*»**.

**Barundi, Barundikazi,**
**Ncuti z'Uburundi,**

1. Igenekerezo rya 1 Mukakaro, ni umusi w'intibagirwa mu buzima bw'Uburundi.
Uwo musi turawigina mu kanyamuneza ntangere kuko kwiganzura uwakuganje ku gikenye ni ikimenyetso c'umwidegemvyo.
Aho bukera rero, imyaka 61 izoba irumanye neza duhabuje intahe y'ukwikukira, Abarundi basubiye kwishira no kwizana bari baranyazwe n'abanyamahanga kuva mu 1896, igihe batera Uburundi ku kagagazo hanyuma bagahatira Umwami Mwezi Gisabo kwemera amasezerano y'i Kiganda mu 1903, inyuma y'imyaka indwi intwaramiheto z'Abarundi bahanganye n'abasoda b'abadagi.

2. Turashimiye Imana Mushoboravyose yadukuyeko uwo muzigo w'intwaro y'akagaye n'agahotoro, yari yatwatse ijambo mu gihugu ca ba sokuru bacu.

Turashimiye bimwe bivuye ku mutima ba sokuru berekanye ubutwari n'ubugabo, bo babaye akarorero mu guharanira igihugu cabibarutse n'ukucigura bakacigura.
Umuganwa atari umugani Rudoviko Rwagasore nabishimirwe, wewe yagiye imbere abarundi kandi yari umwana w'Umwami ataco akenye.

Abamufashije bose bari kw'isonga turabakeje, tukaba twiyemeza ko tuzogumya iragi ryabo ryo guharanira ukwikukira kw'igihugu no gukomeza ubutegetsi kugira Umurundi wese yumve ko atawumuhonyora ku gakanu.

3. Kuri uyu musi kandi, turipfurije Abarundi bose umusi mukuru mwiza, tuwuhimbaze tuzirikana ingene twotsimbataza iyo ntahe yadusubije iteka, ikadusubiza ijambo no kwidegemvya twari twarambuwe.
   Tuwuhimbaze twese dufise ku muzirikanyi iki civugo twabonye ko kibereye muri iki gihe turimwo: « **Twese hamwe**, **tuduze ubutunzi bw'igihugu, ni ho tuzokwidegemvya».**

**Barundi, Barundikazi;**
**Bagenzi b'Uburundi,**

4. Iki civugo twarabonye ko ari co kibereye ubu kuko twabonye kandi tugategera ko atawidegemya imbere y'uwo asaba; kanatsinda ngo ntawutebanwa n'uwumuseguye, kandi ntawuharira n'uwumutunze.

Iki gihe tugezemwo ni ico kwerekana ko turi abagabo, dushoboye kwigaba no kwigaburira.

Ivyo tutabishoboye, nta n'akamaro ko kugira uwo musi mukuru kuko abatugaburira boca bitwengera mw'ijigo bati: "Ehe bariko bagira umusi mukuru w'akanyamuneza ko kwikukira kandi bacunamira abanyamahanga babagaburira".
Ubu rero kibe igihe co kwikura akagaye kandi turabishoboye.

**5.** Burya intimenya ni yo ntinegura. None tubanze turabe igituma iki gihugu cacu kidaharurwa mu bihugu vyifise kandi tumaze imyaka 61 yose vyitwa ko twishira tukizana.
Ica mbere coco ni uko ubukoloni bwadusizemwo imvune nini cane, bwadusigiye igisebe n'ubu inkovu zitarazimangana ku buryo n'akadukozeko tugitonekara.
Dusomye mu gitabu c'ijambo ry'Imana ni ho tubona ingaruka zo kurongorwa n'umunyamahanga.
Ni co gituma n'Imana yari yarihanije bene Israeli iti: "*Umwami uzokwimika ngo akugabe azova muri benewanyu, ntihagire umunyamahanga uzokwimika ngo akugabe Atari mwenewanyu*" (Igitabu c'amategeko 17:15).

6. Iri jambo riratwereka ko igihugu gitegerezwa kurongorwa n'uwusangiye imico n'imigenzo na beneco.
Mu Burundi, uruhombo rwa mbere rwatewe n'intwaro mvamahanga ni ugutakaza ibanga ry'igihugu mu bijanye n'uburongozi.

Ngaha iwacu Umwami yari Sebarundi, umuvyeyi mu muryango. Ariko amaze kwakwa uburongozi, iryo teka ryari risigaye ari izina gusa.

Nta n'umwe ayobewe ibanga ry'umuvyeyi. Umuvyeyi ni we yungira ubumwe abana biwe.

**7.** Ku ntwaro ya cami, abanyamahanga batarashika, Uburundi cari igihugu citunganije kikigenga.

Umurundi yari afise ijambo, avuze akumvirizwa, abajije akishurwa, afise ibimugoye agatunganirizwa. Abarundi bari bafatanye mu nda, babumbatiye ubumwe, amahoro n'umutekano, kandi bagasonera ubuzima bwa kiremwa muntu.

Hariho « **kirazira »** kandi kigafatwa uko nyene, uwukirenzeko agahanwa canke bakamucira umukenke, ntasubire gusoma mu bagabo.

Uruhombo rwa mbere twagize ni ugutakaza ako karanga k'intwaro ibereye mu gihugu. N'ubu turacirondera kuko twagiye guhabuza intahe yo kwikukira, abakurambere tworabiyeko intwaro ibereye baramaze kurengana, dusigaye twigana abo nyene basambuye uwo muco.

**Barundi benewacu,**

8. Ahatagira intwaro ibereye, ahatagira indongozi zigendera ibanga ry'igihugu nta terambere rihabazwa.

Reka mbere twiyibutse aho Uburundi bwari bugeze mu vy'ubutunzi abazungu bataraza duheze tubone ko twahomvye, Uburundi buba bugeze kure:

Mu Burundi twarahingura ubutare, tugakoramwo amasuka, amacumu n'imiheto, imihoro, amashoka n'ibindi bikoresho vya nkenerwa mu bikorwa vy'iterambere.

Kuva intwaro ya kavamahanga yiganje gushika n'ubu, n'abize amashule menshi mu bijanye n'ubutare ntibarabuhinguramwo n'uruhindu.

9. Iyo ntwaro y'Uburundi yasambuwe n'intwaro kavamahanga yajanye n'ubutungane, ubutegetsi nyabwo burabura mu gihugu, higanza abahonyora ku gakanu abandi.

Tukaba tuzi ko ahatagira ubutegetsi nyabwo, nk'uko Umuganwa Rudoviko Rwagasore yabivuze, ntihagira iteka n'itekane. Agacinyizo kariganje, higanza intwaro karyanisha miryango, agateka ka zina muntu ntikasubira kwubahirizwa, ntihagira Umurundi asubira kwubaha uwundi.

10. Ivyo vyose vyagiye kwunyurwa n'uko mu gihugu haciwe ijambo "kirazira".

Imbere y'umuzo w'ubukoroni, Umurundi wese yarasonera ikiremwa cose, gushika no ku muserebanyi, icibagiwe coco cari ukwubaha abakuruta. Umurongozi yari igiti kiturirwa.

Ariko, abanyamahanga bamaze kutuganza, barambuye icubahiro abatware, baba batituye wa muco mwiza wo kugamburuka, udusaba kugamburukira so na nyoko, n'abakuruta bose.

None gushika ubu turacabona Abarundi bahangara mu maso indongozi z'igihugu, mbere bagahiga no kubakorera ikibi kuko basigaye bameze nk'ingumba itazi ikibi.

11. Turabizi kandi tubisubiremwo, igihugu kitubaha ubutegetsi ntigishobora kuduza ubutunzi kuko umwe wese araba iwe, ntiyumviriza n'intumbero rusangi.

Uretse n'uko abantu baba ubusimbirahamwe, bakamera nka bamwe bubaka ikibabeli dusoma mu bitabu vy'ijambo ry'Imana, n'ubutegetsi butaramye ntibushobora kuronka umwanya wo gutunganya imigambi y'iterambere rirama, kuko na bwo nyene buba buri mu kirere butagira umushinge bwicayeko.

12. Ikindi twahomvye ni ukudukuramwo umutima n'umuzirikanyi kama vy'Uburundi hanyuma duca tubura iyo tuva n'iyo tuja.

Mu migambi yabo, abanyamahanga bashaka kuzimanganya ubwenge bwacu kugira dukurikire inzira zabo.

Ni co gituma ico bihatiyeko kwabaye kudukurako akaranga kacu, badutamika ivyabo bitagira insiguro mu mico y'Abarundi.

Badukuye mu miryango igize Abarundi badushira mu bwoko kugira twibagire umuzi wacu ari co gihugu twese dusangiye.

Aho bari gupfuma Uburundi ari bwo bita Reta, baciye bafata ko indongozi mu gihugu ari zo Reta.

Ingaruka ni uko baba indongozi baciye binyuranganya igihugu gica kiba gwabo gusa, abatwarwa na bo nyene bakavyemera uko kuko atako bari bugire.

12. Ivyo vyatumye hica inyenga hagati y'abarongozi n'abenegihugu ituma ata wugishikira indongozi, n'indongozi zitinya gusubira mu benegihugu. Igihugu kiba kibuze umuhuza uko, abenegihugu bakama mu gahinda katagira uko kavugwa

kuko bari babaye ingabo zitagira umutware.

Ni uwo muco nyene watumye imboneza mu gihugu zikomeza umutima wo guhahamira ubutegetsi ata kindi barondera atari ukwigungirako ivy'igihugu gusa, abenegihugu barorera ariko agahinda kuzuye umutima.

13. Ivyo vyaratumye mu gihugu hama uruhagarara, indongozi zikibaza ko abenegihugu bazohava bazigumukana, bakazaka igihugu zigaruriye.

Ni co catumye iyo ntwaro y'abanyamahanga ikoresha ikimoko ngo yemeze abenegihugu ku nguvu ingingo zayo zo gucinyiza.

Ni co kandi catumye imboneza mu benegihugu zama zigandagurwa na ntaryo, ndetse iyo ngendo ikaba ari yo yahitanye incungu y'Uburundi Umuganwa Rudoviko Rwagasore.

14. Mu bihe bimeze uko, umwenegihugu ntashobora gukora ibimuteza imbere ku buryo burama kuko uretse ko atabona iyo aja n'iyo ava, nta mwizero wa kazoza abona. Bikaba bizwi ko ata wuronderera kazoza atabona ko azohashika n'abiwe.

Ku rundi ruhande indongozi na zo ntizishobora gutegurira akazoza igihugu kuko zama mu ruhagarara gusa, zirindiriye ko abenegihugu bazigumukana ngo bahabuze agateka kabo.

Ni ico gisebe rero cabaye akaranda, gituma Uburundi butava aho buri kandi bwari bwikwije kugira butere imbere.

15. Muti none aho abanyamahanga bagiriye habuze iki ngo tugaruke ku muzi duheze tuzamure igihugu?

Ni kwa kundi nyene twavuga, abo banyamahanga badusigiye ako karanda. Indongozi zatoranye kuguma zigendera mu nzira

zaciwe n'intwaro z'abanyamahanga, ata kindi bakora atari guhohotera agateka k'umwenegihugu no kwinuba abenegihugu babona kure.
Uretse n'ivyo, kubera bari bamaze kurandura umutima w'Abarundi, aba na bo bagumye bajuragirika; bica bihurirana n'uko kubera ubukene batwinjijemwo, twaguma tubateze amaso, turaba ico bodufashisha; mukaba muzi ko no mu Kirundi bayamaze ngo aho ukuye ibondo, uhita iwanyu. Uwukurengereje ijoro na we ukamwita databuja.
Ikibabaje ni uko n'izo mfashanyo zari intica ntikize, kuko iyo ziba izidufasha tuba twarateye imbere nkabo kuko uwugufasha neza ni uwukwunguruza.

16. Aha rero ntitwibagira n'ingaruka z'intwaro karyanishamiryango bashinze kugira ngo Uburundi bugume ari ubwami budashize hamwe, bumwe butarama.
Turavye rero imvune vyadusizemwo, ntivyari vyoroshe kwiyunga kandi uwabikoze yahagumije akarenge.

Igihe gateranya akiri mu muryango, ntabura uwo yosha, na cane cane ko ngo uwugusumvya ibitobezo agutwara intozo. Ndabivuze uko kuko umuntu akigira ku mohe akikura kuri mwenewabo nta zina mbona bokwirana. Na Yezu we nyene yabonye indyadya zabaye umurengera arabura izina yozita, aca azita ubwoko bw'isato.

**Bavukanyi;**
**Barundi benewacu,**

17. Murumva ko bitoroshe, uruguma rwavuyemwo akaranda gatuma dutambuka dufise ubwoba kuko twohava dutonekara.

Kuva muri ubwo buja, ntivyoroshe kuko Abarundi bose batabibona kumwe.

Na bene Israeli bari kumwe n'iyabaremye imbonankubone, babibonye kumwe bakijabuka ikiyaga gitukura.

Bamaze gufata urugendo, nticabujije ko habamwo abarambirwa n'inzira, bipfuza gusubira mu buja bwa Misiri; hari akantu twebwe no ku musi wo kwikukira Abarundi batavyumva kumwe.

Hari abavuga ko hataragera ko twikukira; abo bari bafatanije n'abaducinyije. Abandi b'intwari na bo, barongowe n'umuganwa Rudoviko Rwagasore, bahagurutse barwanira agateka k'igihugu. Abo bararahiye bararengwa ko batemera kubandanya babegerwa ku bwabo, kandi bahemutse batsinze.

**18.** Ikibabaje kandi giteye isoni, ni uko n'uno musi inyuma y'imyaka 61 duhabuje intahe y'ukwikukira, hari abakibandanya imigambi igayitse yo kuburagiza iterambere ry' igihugu cabibarutse. Abo ni bo uno musi bipfuza ko tuguma mu buja, ngo tugume dusegerereza kandi dufise amaboko n'ubwenge hamwe n'itunga Imana yaduhaye.

Ntibashaka ko intwaro y'abenegihugu irama kuko bazi ko iyo ntwaro ishinze imizi ari yo iheza ikaba umushinge w'iterambere mu gihugu.

**19.** Ubu rero harageze, nihaba hatarengeranye ko twisubirako; kandi twese ata n'umwe avuyemwo.

Bihagije, twarihaye amenyo y'abatwenzi mu makungu, kuko amabi twabonye inyuma y'intahe y'ukwikukira, akarenganyo, agacinyizo, ubwicanyi, gusahura itunga ry'igihugu n'ayandi mabi

tutavuze, vyarazingamitse Uburundi mbere biratunyaga na wa mwidegemvyo twese twipfuza.

Nk'uko nabivuze, uruguma n'ubu turacumanye, haracibonekeza abagishaka kuja imbere bifashishije ubwoko, intara n'imigambwe no ku zindi mvo zitandukanye.

Ivyo vyose bikaba ari vyo bivyara inzigo n'ishari mu Barundi kandi bose ari bene mugabo umwe.

Ni co gituma nsaba ko tuzitira, ivyadushikiye igihe Abarundi twiragira tukicura, mu myaka yo 1965, 1969, 1972, 1988, 1993, 2015 ntibigasubire.

**Bavukanyi namwe ncuti z'Uburundi;**

**20.** Uno musi rero, ni akaryo keza ko kuzirikana ko ikiringo tumaze duhabuje intahe y'ukwikukira atari gito, Umurundi yavutse igihe twikukira, ubu aharurwa mu bakurambere.

Rero umwe wese, muri twebwe dushitse mu bigero, yofata akanya akiyumvira, akibaza ati: « Mbega maze gukora iki gihayagiza igihugu canje, gitsimbataza ukwikukira kwacu» ? « Ndiko nterera iki kugira Uburundi busubire kuba itongo ry'umuryango umwe wa Burundi, kumwe twari turi imbere y'umuzo w'intwaro kavamahanga » ?

21. Mu kirundi bavuga bati : Ubunyegeri buyagira kw'igufa kandi ngo abasangiye ubusa bitana ibisambo. Nta kindi kizotunywanisha atari umusa no gusangira ibikorwa.

Uburundi butunze, bufise ico tuburyamwo ni bwo buzotuma tubana ata wuraba uwundi mu kanwa kuko akawe n'akanje buzoba butamira kumwe.

Nta kindi kizotuma dutekana mu mutima utari uko umwe wese yumva ko aroraniwe mu buzima bwiwe. None wororanirwa gute wiraburaniwe, wibaza ikizobeshaho abo uvyaye utari bukibone ?
Ubu ni igihe, kandi ni igihe ciza.

22. Ndabivuze kuko mbona hari ikituremesha kikaduha umwizero wa kazoza keza.
Abarundi turiko turahumuka, turiko turikubita agashi, turiko turahangana na ba rwankineza, abansi b'ubumwe, abansi b'amahoro n'iterambere bagitera igere, ariko igere rya nyuma.

Turamaze kumenya kahise kacu, turazi iyo igihugu cavuye, aho kigeze n'iyo turiko turaja mu kwitunganiriza ivy'igihugu no mu gukomeza intahe y'ukwikukira kwacu.

23. Turamaze kubona kure mu gutsimbataza amahoro n'umutekano, ubu mbere Uburundi bukaba bwarabaye rurangiranwa mu makungu mu kuja gusahiriza ibindi bihugu kugarukana amahoro.
Turamaze kumenya ko iterambere ata handi riva atari mu bikorwa vyacu, turazi ko gukora turi mu runani twumvikana n'abikorera ivyabo ari vyo bigwiza umwimbu.

24. Turamaze gutahura akamaro k'intwaro ibereye, mu kuzirikana ko ivy'igihugu ari itunga rusangi, atari iry'akarwi k'abantu canke umuntu umwe agera akageranura uko avyipfuza.

Turamaze kumenya gutsimbataza demokarasi mu gushobora kwitegurira twebwe nyene amatora tutarinze kweza amaso amakungu, dusaba uburyo, ibikoresho, abarorerezi n'abahinga baza kudufasha.

Turamaze gutegera ko abenegihugu ari bo soko ry'ubutegetsi bw'igihugu, ko ata mugwi n'umwe ushobora kubwihagira.

**Twarikukiye rero, turabizi, kirazira kikaziririzwa ko dusubira kuzera inze, gutega amashi abayakubitako.**

**25.** Kubimenya ubu turabizi ariko igisigaye ni ugushimangira iyo ntahe y'ukwikukira, kugira ntiduce mu myanya y'intoke ngo dusubire kuba abaja.

Ni muri iyo ntumbero ubutegetsi bw'igihugu bwihaye akaranga ka Reta mvyeyi kandi nkozi.

Ubu abagize inzego za Reta babandanya batera intege abenegihugu bose, bagakangura abagisinziriye ngo basange abandi mu bikorwa vy'iterambere, kugira, **"Twese hamwe tuduze ubutunzi bw'igihugu, tubone kuba abidegemvya'',** nk'uko icivugo c'uno musi kibivuga.

**26.** Muri iyo ntumbero, urwego shingwabikorwa rw'igihugu ruri ku kivi kugira duhindure ingendo tuve mu vyaranze igihugu muri kahise, ari na vyo vyatumye Uburundi butogorora.

Mu bisanzwe ibituma igihugu gitera imbere turabifise : ni Intwaro ibereye, umwumvikano n'ibikorwa ; ariko vyose bigashingira ku kwubaha umurongo mw'itunganywa ry'ubutunzi.

Hari kandi kurondera iryo tunga, kuribungabunga no kurikoresha neza.

27. Ikindi ni uko kuduza ubutunzi bw'igihugu ari umurimo wa bose. Hagize uwuvuyemwo, arakena. Kandi igihe cose hari abenegihugu

barara ubusa, batagira aho bakika umusaya, igihugu ntikiba kiratera imbere.

Igihugu ni umuryango, iyo hari umwana araye adafunguye, atari ukwinenaguza, umuryango wose uba ukehaniwe.

Dutegere rero ko twese dutegerezwa kugira urunani mu kuduza ubutunzi, hanyuma tugatumbereza neza ivyo dufise.

28. Ni muri iyo ntumbero, duheruka gushira ahabona ishusho y'Uburundi dushaka, igihugu cifashe kandi giteye imbere mu 2060.

Ariko kugira tubishikeko hariho ivyo dutegerezwa :

Ica mbere co kumenya, ni uko iterambere ry'igihugu ritangurira ku mutima wo gukunda igihugu.

Akarorero twogakura ku muganwa Rwagasore. Yahagurukanye icivugo ngo : **Ubumwe-Ibikorwa-Amajambere**.

Mugabo imbere ya vyose, igihugu gitegerezwa kubanza kwikukira, ihanga ry'Abarundi rironke uburenganzira bwo kwitunganiriza kazoza karyo.

No mu muryango ari mu muryango, iyo ari uwundi agutegurira kazoza, agutegurira aho ashaka ; ntagutegurira aho ushaka. Ni co gituma kugira igihugu gitere imbere, beneco bategerezwa kuba ari bo bakibazwa.

29. Mbega ubu, Abarundi twese, twokwemeza ko twiyumvamwo ko itunganywa ry'ubutunzi bw'igihugu ari twebwe turibazwa?

Iki kibazo kirahambaye kuko haracariho Abarundi babona ko ari abanyamahanga bazoza kudutunganiriza ivyacu.

Biraboneka kuko nko kubona urwaruka rufise amahera y'amarundi arenga imiliyoni cumi hanyuma rukabona ko rukenye, aho kuyagira umutahe.

Ikibabaje agaca ayasesagurira mu ngendo zo kuja i Bulaya aho umuntu waho kugira aronke amajana abiri y'amanyabulaya abira icuya.

Mugabo nituze turakubita agatima mpembero, dufatire akarorero ku mwana w'icangazi dusoma muri bibliya. Uwo mwana yari mu muryango utunze, ariko aca asaba se intoranwa yiwe. Haheze imisi akoranya ivy'iwe, yigira mu mahanga. Yabimariyeyo gushika aho acika umushumba asangira n'ingurube.

30. Ngaha iwacu ico cari n'icirwa; aho kuja gupfa wangara ahatari iwanyu, wopfuma wiga ingene abo uvuga ko batunze bamerewe n'iyo bakuye itunga, nawe ugaheza ukabigana.

Erega bose itunga barikuye mu gihugu cabo. Ni baba batari bafise uburyo bwo gutanguza, abanyamahanga barazanye ubwo buryo mugabo na bo bakemera kubungukira. Abo ni abatunze baciye mu nzira ya hagufi.

Ariko naho uca wibaza uti: None abo banyamitahe bobo bayikuye hehe? Inyishu iraranguruye, bakuye umutahe mu bikorwa kuko mu vyo Imana yaremye, ntiyigeze irema amahera.

Ni co gituma bose bahereye ku burimyi, bakabanza kuronka ivyo bafungura. Uwutabifise na we nta kundi agira ategerezwa gusega canke kubigura.

**Benewacu,**

31. Ntihagire uwuzokwipfuza kubaho atunzwe n'ivyo asavye.

Aburahamu, inzara yaramuteye mu gihugu ca Kanahani, aragihunga. Kugira abeho mu Misiri yagurishije umugore wiwe Sara. Ezawu inzara yaramuteye agurisha ubukuru bwiwe kwa mutoyi wiwe Yakobo kugira aronke ico afungura, umugisha uba umuvuyeko uko. Bene Israeli, inzara yarabateye, baja kurondera

ico bafungura mu Misiri, hanyuma bahabera abaja imyaka amajana ane.

Inzara iratuma ihanga ritakaza wa mwidegemvyo turiko turigina. None wewe Murundi, uriko ukora iki ngo ufungure ibikwiye kandi vyiza, bikuzanira amagara meza?

32. Tangura rero ubone igihugu cawe cakuvyaye, utangarire ivyiza birimwo urushije ayandi mahanga, hanyuma uwo mutahe Imana yaduhaye tuwuvyaze umusaruro.

Niwamara gutangarira igihugu cawe uzoheza ugikunde kuko aka muntu kamara iyagwe.

Vyongeye niwamara gukunda igihugu cawe, uzoheza ugikundishe abandi, n'abanyamahanga bazane imitahe yabo hanyuma dukore, twimbure, duhingure itunga kama dufise.

Niwakora ivyo nta gisivya, igihugu cacu kizotera mbere. Aho twebwe twogiye guhurumbira ibindi bihugu, abanyamahanga ahubwo nabo bahurumbire igihugu cacu.

33. Ivyo ndabibwiye Abarundi bose, ariko nshimikira ku ndongozi kuko ni zo karorero, ni icirore Abarundi bose birabamwo.

Indongozi inaniwe no gukora ngo yiteze imbere yongere iteze imbere igihugu, vyose biba bisubiye ibuti kuko ngo umwera uva i bukuru, ugakwira igihugu cose.

Indongozi ataco zishoboye mw'iterambere na zo, abadukekeza bazibonye, babona ishusho y'Abarundi bose, bakivugira bati: "***Habuze izi imihini, hari akantu iziri ubukera***"!

34. Aha rero nkebura cane cane Abarundi bose baciye ku ntebe y'ishule. Dukubite agatima mpembero, twibuke ko turi imboneza

z’abandi. Mbega mw’ishure twagiye kurondera iki? Amahera canke ubukuru?

Haba namba! Twagiye kuharondera ubumenyi butuma tugira ubuhinga bwo gukora, tugatanga akarorero mu bataronse amahigwe yo kuja ku ntebe y’isomero. None ko umengo dusa n’abandi batize? Abatize barabura aho bahera n’aho bahereza mu bikorwa vy’iterambere, n’abize bikaba uko nyene.

Ahubwo hari n’ibiterasoni dusigaye tubona, aho uwize akaminuza ahejeje, aho gukorera igihugu camwigishije, agaca yigira guteza imbere ibihugu biteye imbere.

Ese iyo baba bagenda, hoho, bagiye gusuma ubwenge abandi bakoresheje kugira beteze imbere hanyuma bagaheza bakabuzana guteza imbere igihugu cabibarutse!

None ivumwe ryabafashe ni uko n’iyo bashitse muri ayo mahanga, ari bonyene batangura kunebagura igihugu cabo ngo ntigishoboye gukora ivyo nyene abo Barundi bariko bakorera abanyamahanga.

Erega kuva na kera, abarundi bavuga ko akanyoni katagurutse katamenya iyo bweze; baja gupagasa baronse bagatahana iwabo ico baronse.

None namwe nimubigane, musume musumira iwanyu.

35. Ku myaka 61 duhabuje intahe y’ukwikukira, harageze ko tubona ko twabaye abagabo, ata wari akwiye kudusegura izosi.

Ni vyo, twebwe imyaka iriko iraturega, kandi twakuze turi inzingo kubera ivyiyumviro vya gikoroni vyatunyoshe, ariko haracariho ivyizigiro. Hariho ivyizigiro kuko twariyubuye, turafise urwaruka ruje kudukorera mu ngata.

Ingorane umengo hari abashaka kuruzibira ngo ntiruje ahabona, rwerekane ico rumaze. Abenshi bavuga ngo ntirugira uburambe

mu bikorwa. Nanje ndakubaza wewe uvuga uko: Mbega umusi na rwo rwokubaza ruti: Wewe ufise uburambe unyeretse iki wakoze, wirata, catumye Uburundi butera imbere.

Iyo ukuze uremera akabi wakoze, kuko uko Uburundi bumeze, ni twebwe abakurambere twakibugize.

Twebwe twabaye nk'uko umengo ni ugusigaranira uwuzoza, none yaje, ni urwo rwaruka. Ni tureke rwerekane narwo ico rumaze.

36. Iryo jambo rirakarishe, ariko twemere turimire. Ibihugu turusha itunga kama ni vyishi, ariko n'ubu turacidodomba ngo dukenye iki n'iki, ahubwo tukiruka tuja kubasaba imfashanyo.

Harageze rero ko twese dushira hamwe inkomezi n'ubwenge Imana yaduhaye kugira twitunganirize itunga ryacu hanyuma turivyaze umusaruro.

Aha rero nta n'umwe asigara inyuma yaba uwize n'uwutize, umutware n'umutwarwa, uwukuze n'umuyabaga. Twese dutegerezwa kugira umutima wo gukunda igihugu, hanyuma tugikorere.

37. Ivyo turabishimikirako kuko, mu gihugu cikukiye, umuntu wese ategerezwa kwumva ko yidegemvya; bikaba naho bizwi ko uwutunzwe no gusaba ataba yidegemvya.

Uwutunzwe ni umushumba, ntiyishira canke ngo yizane; agendera kuco sebuja amweretse.

Ni co gituma Umurundi wese yobona iyo aja kandi akahategera. Umuryango wose utegerezwa gutegure kazoza kawo, igihugu cose gitegerezwa gutegura kazoza kaco.

Muri iyo ntumbero, dutegerezwa kubanza kuraba ivyo dukeneye kugira tubeho neza. Mbega hoho dufise iki?

Ubonye ivyo ukeneye, akamenya ivyo ufise, ivyo ubura biba bigiye ahabona. Ikiba gisigaye ni ukurondera ivyo ubura.

Aha twibaze ibibazo bimwe bimwe mu buzima: Mbega uwubonye ashonje ararira canke arondera ingene yoronka ivyo afungura? Iyo ukenye aho ukika umusaya, uridodomba canke urondera uburyo bwo kuronka inzu?

38. Kugira uronke ivyo ukeneye, utegerezwa kurondera inzira ubironkamwo.

Kimwe, urakora igikorwa gituma ugwiza umwimbu, ukaronka amafeza yo kugura ivyo ukeneye. Ikindi ni ugusaba umuntu agufasha, akakugaburira, akakwubakira n'inzu. Ica nyuma uriba ugaheza ukaronka ivyo ufungura n'aho uba. Muri izo nzira zose, izo zibiri za nyuma ntizishika, ntihagire uwipfuza kuzicamwo.

Ica mbere n'uko uwugufasha aguha "gendurime". Iyo imfashanyo ziba ziteza imbere igihugu, Uburundi buba bwarateye imbere kuva kera. Kuva mu 1896, aho abakoloni baza gushika ubu dufashwa, ubu tuba turi mu bihugu biteye imbere kuko twafashwa na benshi; n'imiburi buri umwe muri bo tuba tungana. None ko umwe yaduha gwiwe, uwundi gwiwe, gutyo gutyo, twosigura gute ingene n'imiburiburi tutongana na muto muri abo?

Aha rero nimubitegere, mwa Barundi mwe! Nta mfashanyo izoteza imbere igihugu.

Igikurikira, ubusuma ntibuteza imbere umuntu; uretse ko ari ukwikwegera umuvumo, wama uzi ko uzobaho utarushe, ubunebwe bugatangura uko. Iyo ubuze aho wiba ugaca ugwa ruswi.

None rero wewe mbwira! Igire inama uyu musi: ugiye gukora iki kugira uve mu bukene bwawe?

39. Turabonye ko umuzi nya muzi w'iterambere ari ugukunda igihugu, no kugira aho wicaye udahugumbwa; aho naho ni mu gihugu cawe, igihugu cakuvyaye.

Ariko kugira igihugu gusa ntibikwiye; igikwiye ni uko n'ico gihugu kiba gitunganije neza mu bijanye n'intwaro, ubutunzi, ubutungane n'umutekano.

Ivyo rero bisaba ko uburongozi buba bukorera ku mategeko kugira ntihagire uwuryaryanya uwundi yitwaje ico ari canke igikenye.

Iyo ni yo ntwaro ibereye, aho uburongozi burongora abenegihugu mu nzira yo kwitwararika kuvyaza umwimbu itunga kama, biciye mu burimyi no mu mahinguriro, bukabungabunga neza ikigega c'igihugu mu kudasesagura, buhimiriza abenegihugu gukora bukongera bukirinda kubahombesha mu bikorwa vyabo.

**Bavukanyi,**

40. Ingabo zitagira umutware bazita impehe nsa, kandi Umwami mubi ayobeza ihanga.

Ni ngombwa ko uburongozi bw'igihugu bubaho kuko naho umuntu wese yironderera ingene abaho n'umuryango wiwe, mu gihugu hategerezwa kuba ubuzima rusangi. Kubera umuntu wese yikunda, ubwo buzima rusangi ntibwokunda ata gihuza abantu kiriho.

Mu gihugu rero abenegihugu bahuzwa n'iryo tongo rusangi ubwa mbere, bakongera bagahuzwa n'imigambi bakora basenyera ku mugozi umwe. Uwo muganda rero ni wo utunganywa n'abarongoye abandi. Ni co gituma abarongoye abandi kizira ko

baba indyandya canke ba kaboko kuko boba baciye inkokora abariko barakora.

41. Indongozi z'Uburundi ni zo zereka Abarundi bose inzira irashe twocamwo kugira igihugu cacu kigire iteka, Umurundi aho ari hose yubahwe. Abenegihugu na bo bamenye ko indongozi ziva muri bo. Murundi wese! Utari inkerebutsi ngo ube intungane, naho woba indongozi ejo, umenye ko ataco uzomarira abandi Barundi. Indongozi na zo z'ibigaba uno musi, zisabwa guhinduka kugira ziramire abenegihugu.

Gurtyo, nihaba umwumvikano hagati y'uburongozi n'abenegihugu, nta gisivya, tuzokorera hamwe twese, igihugu cacu kigire iteka n'itekane.

42. Ariko muri vyose, mumenye ko abakundana, bakundana kuko hari ico bakundanirako kandi kibaramira bose. Ni itunga ry'igihugu. Ubutunzi bw'igihugu buraronderwa kandi burazigamwa.

Ni muri iyo ntumbero twiyemeje kwereka Abarundi, Uburundi dukeneye kugira twese tugende tuzi iyo tuja kandi heza.

Twipfuza ko uyu mwaka ugira 61 twikukiye, uba umwaka utangura imigambi mishasha, aho twipfuza ko igihugu cacu coba ari igihugu cifashe, cigaba kikigaburira mu mwaka w'2040, kikaba igihugu kiri ku rutonde rw'ibihugu biteye imbere mu mwaka w'2060.

Twipfuza ko mu 2040 umuryango wose uzoba wigaburira kandi ufise aho uba heza.

43. Duhamagaririye rero Abarundi bose, urwaruka, abikorera ivyabo bari mu mashirahamwe canke bakora ku giti cabo; imigambwe, amashirahamwe y'abamenyeshamana n'ayandi mashirahamwe y'abenegihugu, kuba ingabo koko zibushitse mu rugamba rwo guharanira ukwikukira kw'Uburundi mu vy'ubutunzi. Umurundi wese yumve ko afise inyota yo kuba intwari y'ukwikukira mu butunzi mu muryango wiwe, mu gisata akoreramwo, mu kibano ; twese duhagurukire rimwe turwanye ubukene ! Ubukene n'umwansi wo gutuza, kuko aharaye inzara hazinduka inzigo !

44. Kugira ivyo tubishikeko, ni ugukenyera zikaguma, mbere tukemera tugatubika umukanda kuko uwushaka akeza arakigura.
Iyo uri ku rugamba rero hariho inyifato utegerezwa guhindura.
Mu misi iheze, Abarundi bahora barara ntibuca, akarara atekeye.
Ni co gituma ata mugambi urama bigera biyumvira.
Uwugize ishirahamwe ryomuteza imbere, mbere rigateza imbere igihugu, aho kugwiza umwimbu, yaguma arindiriye isoko ya Reta yoyo imutungisha ningoga kandi atarushe.
Icayobesheje benshi ni uko yaca yiyita umugwizatunga kandi ari umukozi wa Reta, ahubwo ahembwa menshi kurusha abandi.

45. Abandi na bo, n'uwugize ngo agira agwize umwimbu mu kwimba ubutare, amahera aronse yaca ayanyegeza mu bihugu vyo hanze ngo azohunge ayasangayo.
Mbere n'amahera bari baronse yose bakayabika mu bipfu vy'inkono ngo ahunze agende ayajanye. Abarimyi na bo, barima ibingana n'inda zabo, kuko bari baramaze kwicira n'umugani ngo **« uwabirimye si we yabiriye ».**

Ni co catumye n’abize bakaronka ubumenyi, baguma bihambirira gusa kuba abakozi ba Reta, ntibiyumvira ayo mahera bahembwa aho ava.

N’ubu hariho abagishaka no kugumuka ngo Reta nisabe imfashanyo bihemberwe kuko bataraтegera ico ari co itunga ry’igihugu.

**Bavukanyi ;**

**Barundi benewacu ;**

46. Kugira utahure ico ari co ubutunzi bw’igihugu ubanza gutegera ico ari co gusenyera ku mugozi umwe.

Gusenyera ku mugozi umwe ni uko umwe wese ategera ko hakenewe umuganda w’inkwi.

Murabizi, iyo mugiye gusenya, mugenda mutwaye imigozi. Bose bagakwira ishamba, umwe wese agasenya, yakwiza urwombokwe akazana ku mugozi, bakwiza wa muganda bagatekera, izo nkwi zigacanira inkono, ihiye bose bakayisangira.

Ushaka rero gucanishamwo abashize hamwe inkwi ni uko iyo nkono isha hanyuma ikaribwa na bamwe gusa, abandi bakabura.

47. Mu gihugu naho Umurundi wese, nk’uko ibwirizwa nshingiro ribitegeka mu ngingo yaryo ya 74, mu bikorwa vyiwe, ategerezwa guterera agacumu k’ubumwe mu kwubaka no guteza imbere igihugu.

Ku bwa ngingo, mu gihugu nta mucangero abaho, bose basenyera ku mugozi umwe.

Ni co gituma ikigega c’igihugu kigaragara, ntiduteka ngo bishe, bidahiye naho dusonza twese.

Icazingamitse Uburundi rero nuko habaye agatima ko kwikunda mu ndongozi zikibwira ziti: « Ko ari jewe nteretse, nsoma umusa munini nongere nsomye abo nshaka ».

Mbere umuntu abiravye, ivyo ni vyo nkomoko y'indyane twaciyemwo, ntihagire uwubesha ngo amoko ni yo nkomoko y'indyane kuko hari ibihugu bifise amoko menshi kandi ntibaryane.

48. Itunga ry'igihugu ni rusangi, ni co gituma rikingirwa na bose. Ibwirizwa nshingiro ridutegeka mu ngingo yaryo ya 69, agace ka mbere ko amatungo y'igihugu ategerezwa gusonerwa no kwubahirizwa.

Umuntu wese ategerezwa kuyitwararika n'ukuyakingira. Umurundi wese ategerezwa guhagararira amatungo y'igihugu kuko ni gwiwe.

Ridutegeka kandi ko "umuntu wese yononye itunga ry'igihugu, mu kumenagura canke mu gusambura, mu kurya ibiturire, mu kunyuruza, mu gusesagura canke akoresheje ubundi buryo ubwo ari bwo bwose bw'ukwonona amatungo y'igihugu, ahanwa hakurikijwe amabwirizwa. Ni ingingo ya 69, agace ka kabiri.

49. Muri iki gihe duheruka kuraba urugero Abarundi batunzeko, vyaraduhaye icigwa ko hakiriho Abarundi baririmba igihugu ariko bacanka.

Kubona nk'umuntu, yakuye amahera muri banki, akagenda kayanyegeza muhira gushika aho abora, nk'uwo yari akwiye igihano c'akarorero kuko amahera si ay'iwe, amahera ni ay'igihugu, aba gwawe uriko urayakoresha ; uyicaritse uba uriko uhomvya igihugu.

None rero abo ba ntamigambi, nibayashire mu mabanki, bene imigambi bayakoreshe, nawe hageze ko uyakoresha ugende

uyatore. Bobo bazoba baguranye ariko wewe uzoba utwaye gwawe.

50. None rero ubu turategereye ico ari co itunga ry'igihugu. Kuriduza ni ugukora, tukimbura tukaronka ivyo dushora.

Ni co gituma urupimo rw'ingene igihugu cifashe, baraba urugero abantu bashoyeko ivyo bimbuye.

Ivyo na vyo bibonekera ku mahera ari mu benegihugu no muyari mu kigega c'igihugu. None bazomenya gute urugero igihugu kiriko, amahera abitswe mu bipfu vy'inkono?

Mu bimenye neza, Uburundi buratunze itunga kama, ariko mu gihe tutazoba turarihingura ngo dushore, tuzoguma duharurwa mu boro bo gufashwa.

Ni co gituma, kubera agatima ko gusega kiziziye Abarundi batari bake, banyegeza itunga ryabo kugira bagume basega. Abandi na bo kubera ayo matungo bayaronse baciye mu nzira mbi, baguma bayanyegeza.

Ariko nagira ndabamenyeshe ko abanyegeza amahera ari bo batera iceyi igihugu cabo, kikaguma kigayitse, kikabura rya teka n'itekane, aho babonye Umurundi hose bakabona ko yagiye gusega.

**Bavukanyi;**

**Barundi benewacu;**

51. Ubu ni co gihe co gukubita agatima mpembero, tuve ibuzimu tuje ibuntu, dukubite i Bweru tugarure ubwenge.

Uyu mwaka wa 61 Uburundi buvutse ubugira kabiri, ntutubere impfagusa.

Impanuro nobaha uno musi, ni uko **twotangura kwitegurira Yubile y'imyaka 75 izoba iheze twikukiye mu 2037,** izodusange twarikukiye no mu vy'ubutunzi, dufise ibimenyetso biboneka vyo guhaya ko twikukiye nyakwikukira, bitakiri mu mvugo canke mu migambi gusa, ariko ko bigaragara.

52. None rero tubanze tumenye uko turi uyu musi.

Mbega uno musi iminwa itararonka ivyo ifungura bikwiye ni ingahe? Kubera iki iyo minwa itaronka?

Imifuko itararonka amahera ni ingahe ? Kugira ngo tuyimenye, ni uko amahera yose ari mu bipfu vy'inkono aja ahabona kuko uyashize mw'isandugu rusangi ryo kuziganya, ayo mahera aguma ari gwawe, aho ubikurije hose ngo wikenure uyasangaho.

Ariko umenye yuko amahera abaho kugira uyakoreshe, iyo uyicaritse naho uba ushaka guhomvya igihugu.

53. Ikindi, urugero igihugu kigezeko ugereranije n'ibindi bihugu mu butunzi n'iterambere, rubonekera ku rupimo hagati y'ivyo igihugu gishora hanze n'ivyo kigura hanze. Iyo usuma vyinshi hanze, vyerekana ko ukiri inyuma mu bikorwa vyo kugwiza umwimbu. Iyo ushora vyinshi naho uba werekanye ko ukora gushika aho uronka umusesekara.

None twebwe ngaha mu gihugu cacu, kubera umutima wo kudaha iteka igihugu catwibarutse, n'abashoye ivyimburwa vy'Uburundi mu makungu, amahera mva makungu baronse baca bayanyegeza muri ivyo bihugu nyene agaca avyitirirwa, bikaja ku rugero rwiza Uburundi bukaguma bwitwa bukene.

Abagize ngo barayazanye na bo nyene ugasanga muri bo baca bayanyegeza mu nzu zabo, ya mahera mvamakungu akaba atubanye impfagusa.

54. Abo bose bagira ivyo, twebwe nk'indongozi z'igihugu, tubona ko ari inyankaburundi.

Ni co gituma iyo ngeso yo kunyegeza amahera, yaba amarundi canke mvamukungu, tugiye kuyituza twivuye inyuma.

Kubera twibaza ko benshi babigira batabizi, ni co gituma, ku neza ya twese, twasavye ko amahera yose, yaba amarundi canke mvamakungu, yobikwa mu bigega bigenewe amahera hanyuma hagasohoka ayagiye ku gikorwa.

Twarumvise ko hari abafise ubwoba ko bazohava bahanwa bashize amahera mvamakungu bafise mu ma banki, nagira ndabahumurize, ayo mahera azoguma ari rwanyu, muyagure ibikoresho mukeneye mubifashijwemwo n'amabanki y'ubudandaji musanzwe mukorana.

Nico gituma, kugira turwanye ubusuma, twasavye yuko uwinjiza ibidandazwa wese akuye hanze azobanza kwerekana ko amahera yabiguze yaciye mw'ibanki ; yaba iyo hanze canke iyo mu Burundi.

Ariko rero mumenye ko ikintu cose gifise igihe caco, uwuzoguma agagaza akanka kuyashira mw'ibanki, amenye ko hazogera igihe tugafata ingingo, uwufatanywe amahera mvamakungu ahanwe n'ingingo ziri mu gitabo mpanavyaha c'Uburundi mu gice kiraba abagira urudandazwa rwa magendo rw'amahera.

Tubivuze kuko tubona hariho abatazi ko urudandazwa rwa magendo rw'amahera ruhanwa.

55. Ku ruhande rw'uburongozi, kugira ngo ikigega c'igihugu gishobore kurangurira abenegihugu imigambi ibateza imbere, amahera y'igihugu agiye gukoreshwa mu buryo bushasha, butomoye, ico twise ***Itunganywa ry'amahera y'igihugu ku ndinganizo y'ibikorwa***, aho ata faranga rizosohoka riva mu kigega c'igihugu, bitagaragara ibizokorwa n'inyungu bizozana.

Tukaba twashinze ko uko igice ca gatatu c'umwaka giheze tuzoza turasuzuma ivyakozwe, imbere yuko twemera ko ayandi mahera akoreshwa.

56. Twipfuza ko uko umwaka utashe twoza turasuzuma intambwe twateye kugira dukore tuzi aho tugeze.

Ibi birakenewe kuko turavye iyo tuja, tukaraba n'aho tugeze n'igihe gisigaye ngo dushike, ni ho dushobora no kwiha intumbero y'umuvuduko ngenderwako.

Ni co gituma dusubiye kwibutsa zina mutangakori wese gutanga ikori n'amatagisi nk'uko bitegerezwa kandi ku gihe kugira ntaducereze mu bikorwa.

Ni mumenye mwese ko amahera ari wo mutsi w'urugamba rwo kugwanya ubukene kuko ari yo ateza imbere igihugu.

57. Si ivyo muyobewe na mwebwe, nta gihugu na kimwe cateye imbere abatangakori badatanze neza ikori n'amatagisi kandi bakabikora babinezererewe ata gahato.

Mumenye rero ko iyo mutanze ikori n'amatagisi nk'uko bitegerezwa, muba mwerekanye ko mukunda igihugu canyu kandi muba mwerekanye uruhara rwanyu mu kugiteza imbere.

Mbere nagira ndabamenyeshe ko umwenegihugu adatanga amakori n'amatagisi, aba ameze nk'ikimuga kirya cicaye. Ni co gituma gutanga amakori ari iteka.

Aho abantu bakunda kwihendera, ni abantu batanga amakori ku mahera yavuye mu kigega c'igihugu.

Barya ntaco baba bakoze kuko ni amahera ava mu mufuko w'igihugu akinjirira mu wundi mufuko w'igihugu.

Ni ukuvuga ko utanga amakori ku mahera avuye mu kigega c'igihugu ata tunga uba waremye; uba uri umuryi gusa.

Ni muri iyo ntumbero dutegerezwa gutera intege abagwizatunga bagwiza umwimbu, kuko ni bo barema itunga, ni bo batuma igihugu gitasubira kuzera inze.

**Barundi benewacu,**

58. Ko turiko tuvuga ivyo kwikukira, tukaba twashimikiye mu nzira yo kwikukira mu vy'ubutunzi n'imibano kugira tureke gutungwa n'imfashanyo nk'abamugaye, ntitworeka kuvuga ingene igihugu cikukiye kigira igihagararo mu makungu.

**Bavukanyi**, isi ntisakaye; ndetse muri ibi bihe turimwo amakungu yose ahanzwe n'ingorane zimwe:

Ingwara z'ivyaduka, ihindagurika ry'ibihe, ingwano mu ntara n'ibihugu zituma abantu barenga imbibe z'ibihugu vyabo bagahunga. Ivyo vyose bituma Uburundi budashobora kuba nyamwigendako.

Kanatsinda mu ndirimbo ndangabuhizi y'igihugu cacu, dusabira Uburundi gushinga icumu mu mashinga.

59. Kugira tubishikeko ni uko twiha ijambo, tukaja mu bandi dufise ico twihaya, tubamariye.

Hageze kugwanya indwara, ibiza n'isibe tube aba mbere.

Hageze guhagararira amahoro, babone ko tuyafise kuko ata wutanga ico adafise.

Hageze gutebanwa, tube aba mbere bakerebutse kandi babone ko no mu kugarukira ubutunzi turi ku murindi mwiza ku buryo batavuga ngo tugiye kubisemba ngo tubavumbe.

Ni muri iyo ntumbero nkeje Abarundi bose bamanitse ibendera ry'Uburundi mu makungu, Abarundi bose bariko barakora batiziganya ngo Uburundi bugire iteka n'itekane; kugira Uburundi bugire agaciro imbere y'ibihugu. Uburundi ni igihugu gitoyi ariko ntidushaka ko kiba igihugu c'ibito", dushaka kibe igihugu c'abahizi.

**Barundi, Barundikazi,**

**Na mwe ndongozi,**

60. Muri kino gihe dutanguye imigambi ikomeye y'iterambere, tumenye ko ata gusamara, ata kunebwa, ata kurenganya canke kurya imitsi abandi bari ku kivi, ngo barime ibinebwe n'ibisuma bibe ari vyo bisoroma.

Imburakimazi n'abasuma bafise amayeri menshi, ari co gituma dutegerezwa kubavira hasi, tubateshe imigambi mibi itubuza gutera imbere.

Tugendere iragi ry'Umuganwa Rwagasore, tugwanye ibisuma, abambuzi n'imihimbiri. Imihimbiri nabo mukaba muzi ko ari barya birigwa babaramye.

61. Ba sokuru ni bo bayamaze bati: « **Abarinzi baja inama inyoni zikaja iyindi** ».

Dutegerezwa kugira imikenyuro izotuma atawuduca mu ryahumye, umwe wese arye ivyo yabiriye akuya.

Igikuru ca mbere, dukorere hamwe mu mashirahamwe canke mu makoperative kugira tumenye abatarimwo, tubarereke turabe ivyo barya iyo babikuye.

Dusangire ikivi kuko nyamwigendako ntarimira impeshi ; dusangire n'umwimbu kuko ''**Abasangiye ikivi basangira n'ikigega''**.

62. Ku ruhande rw'uburongozi, tugiye kubandanya dutesha kandi duhana bimwe vy'akarorero abonona canke abanyonora itunga rusangi, abarya n'abatanga ibiturire; dutere intege ubutungane butagira agahonzi n'intwaro ibereye.

Tugarukane umwizero wo kubaho neza, ata karenganyo n'agahotoro, usasagare mu gihugu cose, tugire ishusho nziza, ijwi ryacu ryumvikane mu makungu.

63. Ivy'imyidodombo tubishire ku ruhande kuko ntawe turirira; n'Imana twari kuyaha twoba turiko tuyikora mu jisho kuko yaraduhaye vyose, ntaco itaduhaye kugira dutere imbere.

Tuzirikane ko ata wuvuka rimwe ngo ace yuzura ingomvyi; hari aho tutarashika n'ubwo dufise ivyohadushikana.

Ntitwovuga ko twikukiye tugikenye ivya ngombwa mu buzima bw'abenegihugu, umunwa wose utararonka ico ufungura, umufuko wose utarabomboka.

Ntituraronka amabarabara meza, umuyagankuba ukwiye n'uburaro bwiza kuri bose.

Ntituraronka hose amazi meza, amashure n'amavuriro bikwiye mu bisagara no mu mitumba hagati mu gihugu.

Ivyo vyose turabifise ku mutima, ahubwo ni bidutere ingoga zo kubishikako.
Mbega abandi bobo baciye hehe mu kubishikira ko Imana itabiremye ? Iyo nzira ni yo natwe tuzocamwo, kandi tuzoshika. Imana ni yo nkuru.

64. Ivyo ni vyo biraje ishinga Reta mvyeyi Reta nkozi, kandi twizeye ko tuzotorera inyishu irama turanguye ya migambi mishasha twabamenyesha.
Ni mumenye ko Reta itareze amaboko iri ku kivi, kandi noneho duhiriwe duhishije, kuko mwebwe abenegihugu, tuvuze rimwe musigaye mwumva gatanu.
Ivyo na vyo bikaduha ingoga n'umwizero wa kazoza keza kacu n'abadukomokako.
Erega muvyibuke ko **iterambere rikomoka kuri mwebwe rikongera rikabagarukako.**
Ni twaja hamwe twese, ntakizotunanira.

**Barundi, Barundikazi,**
**Ncuti z'Uburundi**,

65. Ko turamutse twigina intsinzi yo kwikukira, reka tugende tugize ico twibuka ku ncungu yacu.

Ni ngombwa ko urwaruka rumenya vyinshi tuzokwama twibukira ku Muganwa atari umugani Rudoviko Rwagasore kandi tubigendere:

Ica mbere, mu gihe yasigurira Abarundi igituma hakenewe kwiganzura intwaro y'abanyamahanga, (ku wa 8 Ruhuhuma 1960), mw'ijambo yashikirije Abarundi, yabanje kubabwira ko ata Bami babiri bashobora gutegeka igihugu kimwe, kuko nta n'umwe yosubira kumenya uwo ayoboka; bikaba vyotuma Abarundi bicamwo imirwi ibiri; yaraberetse ko abatipfuza ko haba ukwikukira kwa vuba ari:

- Abanyaburaya bari muri Reta banka kwikura amata mu kanwa,

- Abafata abirabure ko ataco bashoboye ubwabo ko hataragera,

- Ko hariho n'abatinya ko Abarundi bashobora kwihora,

Icakabiri, kubera kandi ko hibonekeza akarenganyo mu vy'intwaro, Rwagasore yavuga ko azorwanya akarenganyo iyo kazova hose, yavuze ati: "*Dushaka ko umuhutu atera imbere, ko umututsi atera imbere, ko Umurundi wese atunga agatunganirwa".*
*Yarongeye ati:" Ku bwacu, nta Murundi n'umwe yaremewe gusigara inyuma y'abandi canke gucinyiza abandi*".

Icagatatu, mw'ikete yandikiye umwe mu bakoloni Albert Maus (yashaka kubiba amacakubiri mu Barundi) ku wa 4 Kigarama 1959, yamwandikiye muri aya majambo avuga ati: "*Bwana Maus, muri*

*kino gihugu ikibazo kiriho turakizi: ni ico abantu bato bato n'abafise intege nke, abo na bo nta bwoko bafise.*
*Aho baturuka hose, ari Abahutu, Abatutsi canke Abatwa, bari mu bwoko bw'abantu bato bato, bahanzwe n'ubujuju n'ubukene. Tugerageze guha umwe wese icomugirira neza, uburenganzira bwo kwisununura, kwiteza imbere ata gucagura amoko, aho ni ho tuzoba dufise ico tumariye Uburundi.*

*Arongera ati: Ku bisigaye, jewe ndazi ikibazo c'Abatutsi, Abahutu n'Abaganwa bo mu Burundi gusumvya wewe, ndakumenyesheje ko abo bose barenganywa hazogera igihe bakiganzura intwaro izobima ivyo bafitiye uburenganzira, amahirwe ayandi makungu yo kw'isi afise: intwaro ben'iyo bitebe bitebuke irahava, ni nako vyama bigenda nta kibuza*".
Ngira ngo ngaha abarundi, cane cane indongozi murahigiye. Murabonye ibituma abenegihugu batuntura, murabonye ingene abenegihugu baharanira iteka ryabo, none rero, wawundi ati "Uraba wumva birenge, niwe ubarirwa"

**Barundi benewacu;**
**Namwe ncuti z'Uburndi;**

66. Imbere yo gusozera nashaka ngende nganirije abanyamahanga dusanzwe dufashanya mw'iterambere ry'ibihugu vyacu.
    Mwese ni ivyo mwibonera, Uburundi bwarateye intambwe mbere ku buryo mutaziga.
    Uru rugendo rwo gusubira kwubaka Uburundi novuga ko twarutanguye mu mwaka w'2005, aho twasubira kwitorera indongozi.

Uno musi turi kw'isemo ishimishije kuko kugira igihugu gitekane hatangura kwiganza intwaro ibereye, ikingira agateka ka zina muntu, kandi izira akarenganyo.

Uwo ni wo muhigo wacu kandi turabona ko dushitse ku ntambwe ishimishije.

67. Ariko ibikenewe ni vyinshi, kuko tukiriko turakura Uburundi mu kinogo twashizwemwo n'intwaro mbi kuva ku ntwaro ya gikoroni. Igihugu cazingamye imyaka irenga ijana nticokwogorora mu myaka mikeyi ariko igikuru ni ishaka dufise.

Ni co gituma tubasaba kudufata mu mugongo mu migambi dufise yo kuronderera abenegihugu ubuzima bwiza. Naho dufise ivyohadushikana, umutahe w'intango uragora.

Ntimudutwenge ahubwo muratwibira akabanga ingene namwe vyagenze kugira mugere aho mushitse.

68. Turashimiye abumvise akamo, bakemera kudusahiriza, bakadufata mu mugongo mu bikorwa turimwo.

Tubasaba kutadebukirwa, twongera dusaba n'abandi bose kubona ko Uburundi bukize na bo bazoba bakize kuko ababasega bazoba bagabanutse, ahubwo dushobora no kubaremurura umutwaro, tugafasha abo mwofashije.

Amakungu yarabonye ko hari ivyo tumaze gushobora kandi nkenerwa, nko kugarukana amahoro aho yabuze canke kugwanya imigwi igira iterabwoba mu makungu.

Turabasavye kuza muradukebura kuko mwebwe mwahabonye kare, murazi inzira ishika n'iyidashika, ntimuze murindire ko tuzimira.

69. Mu guheraheza rero iri jambo, twashaka guhamagarira Abarundi bose kuba ba Rwagasore, babe ba Bihome yiguze Umwami ngo igihugu ntikigwe mu minwe y'abakoloni, babe ba Ndadaye biguze ineza y'umwenegihugu.

Iryo ragi ry'urukundo rw'igihugu n'umutima wo kugikorera Umuganwa Rudoviko na ba sokuru badusigiye, ni ryo twashaka gushimangira kugira ridufashe, ritwubake tugire urunani rw'intamenwa, turwanye uwo wese yoza ashaka kuritwibagiza no kudusubiza mu buja.

70. Iryo ragi kandi ntituryigumizemwo, nituryigishe Abarundi bose, duhereye ku rwaruka rwacu, kugira rwame ruzirikana ko kugira igihugu c'amavukiro ari iteka rihambaye duhabwa n'Imana, ko rero umwansi w'iryo teka aba ari umwansi wacu, umwansi w'igihugu, umwansi w'iyo ntahe y'ukwikukira tuzohimbaza ejo aho bukera.

71. Turasubiriye kwipfuriza Abarundi bose umusi mukuru mwiza w'ukwikukira kw'igihugu cacu.

Nk'uko igenekerezo rya 1 Mukakaro 1962 wabaye umusi w'akanyamuneza kadasanzwe, n'uno musi bibe nk'uko nyene, munezerwe aho muri hose, muririmbe **"Burundi bwacu....",** mutambe mutarike, murazwe ishinga no kurangura imigambi twategekanije iduza ubutunzi bw'igihugu n'abenegihugu.

« **Twese hamwe, tuduze ubutunzi bw'igihugu, ni ho tuzokwidegemvya** ».

**Imana ihezagire Uburundi n'Abarundi,**
**Umusi mukuru mwiza mwese.**

**Murakoze**